Ikinyamakuru ca Ekleziya Gatolika
Umwaka wa 68
Gisohoka kabiri mu kwezi
Ikiguzi : 500FBu

# NDONGOZI Y'UBURUNDI




Email:journalndongozi@gmail.com
Facebook :Journal ndongozi y'uburundi Rusiziramarembe; Twitter: Ndongozi y'Uburundi
Adresse : Candikirwa, kigasohorerwa muri Ndongozi y'Uburundi. Avenue de la mission n° 06

«Jewe ndi wa mwungere mwiza »
Jn 10, 11a

B.P 690 Bujumbura. Tél.: 222762. Fax : (257) 228907 N°780 01 Kigarama 2022

# Nyenubweranda Papa Fransisko ati: «Yezu Kristu yarigize umworo kubwanyu» (2 Cor 8,9)

**Ijambo rya Nyenubweranda Papa Francisco ku musi mpuzamakungu ugira 6 wahariwe aboro, 13 Munyonyo 2022 idominika ya 33 umwaka C**

Yezu Kristu yarigize umworo kubwanyu (2 Co 8,9)

1. Yezu kristu (...) yarigize umworo kubwanyu (2 co 8,9). Ni yo majambo umutumwa Paulo akoresha mu gihe yigisha abakristu ba mbere b'i Korenti, kugira abahe umushinge ku vyo biyemeje mu gushigikira abavukanyi bari mu bukene. Umusi mpuzamakungu w'aboro ugarutse uyu mwaka kandi nk'uwushaka kuduhimiriza ngo udufashe kuzirikana ingene tubayeho no kubukene butandukanye bwo mu bihe vya none.

Haraheze amezi, isi yose ivuye muri ca gihuhusi c'ikiza ca Korona Virusi mu kwerekana ibimenyetso vyo gusubira kuvyura

Soma ku Rup. 3



Abakozi ba Ndongozi
Uwujejwe uruganda:
* A. Noël NTIRANDEKURA
Abamenyeshamakuru:
* A. Noël NTIRANDEKURA
* Mélance NDAYIKEZE
* MSV Marie Goreth NDIKUMANA
Uwujejwe ubuhinga:
* Chanel HARINGANJI
Umunyamabanga:
* MSV Marie Goreth NDIKUMANA
Umunyabigega:
* MSV Anatolie NIYIMPAYE
Uwujejwe imigenderanire:
* J. de Dieu NDIKUMANA

# Mu myaka 124 iheze Inkuru nziza itanguye kumenyeshwa mu Burundi, ivyamwa bingana iki? (Ibikurikira)

**Diyoseze ya Muyinga yavutse ryari ?**

Mu 1968, niho Nyenubweranda yashinga diyoseze ya Muyinga, ikomotse kuri diyoseze ya Ngozi, itwara igice cose c'ubuseruko bw'iyo diyoseze; aca ayishinga musenyeri Vestor BIHONDA.

Muri ico gihe, Musenyeri Andrea Makarakiza yari arungitswe kuba musenyeri mukuru wa Gitega, Musenyeri Stanislas Kaburungu nawe ashinzwe kuyobora Diyoseze ya Ngozi muri uyo mwaka nyene.

Mu 1977, Musenyeri Nestor BIHONDA, atanze imihoho, hagenwa musenyeri Rogeri MPUNGU ngo ahagararire Nyenubweranda mu kuyobora diyoseze ya Muyinga.

Ku wa 19 ntwarante 1980, niho musenyeri Rogeri MPUNGU yegurirwa kuyobora bwegu iyo diyoseze.

Ku wa 18 ruhuhuma 1992, musenyeri Yohani Berchmansi Nterere agenwa kuyobora diyoseze ya muyinga gushika igenekerezo rya 5 rusama 2001, umunsi yitaba Imana. Yaciye asubirirwa na musenyeri Yohakimu Ntahondereye. Aho ni kuva kw 'igenekerezo rya 14 ruhuhuma 2002, aho yagerwa kuyobora diyoseze muyinga, gusha n'ubu.

*Muti diyozeze Muyinga imaze kuvyara amaparuwase angahe ?*

Gushika muri Gitugutu 2022, muri Diyoseze Muyinga,

Soma ku Rup. 4

## Ibirimwo

o Diyoseze gatolika ya Muyinga, yaraye yuguruye Insamirizi....................6
o Musenyeri Danilo Catarzi yari yarisabiye ko yoshingurwa i Kavimvira muri Diyoseze ya Uvira.....................................................7
o Inama mpuzamakungu igira 27 ijanye n'ihindagurika ry'ikirere...................8
o Iyugururwa ry'umwaka w'ivyigwa mw'iseminari nkuru yo mu Kiryama.........................................................................9

# Idominika ya 2, Ubushikiro, Umwaka C

## Igisomwa ca mbere : *Izaya : 11,1 – 10*

Ivyo dusoma mu gitabu c'Umuhanuzi Izaya :

*(Umurushwa azomucira urw'ukuri akurikije ubutungane)*

Ng'iri iriyazwe n'Umukama Imana. Ng'iyi ingundu yamutse ku gishitsi ca Yese, ng'iryo iremba rije riva mu mizi yiwe. Ng'uyo yuzuwe n'umutima w'Umukama : agize gutekereza n'ubwenge bwinshi, afise ubwitonzi n'ubukomezi, maze umwuzurira ukaba ubumenyi n'ukwubaha Umukama, icubahiro c'Umukama nico kimugenza. Mu rubanza ntaca urwa ngondagonde, ntavugira mivumbi kumuvumba, ntakwirikiza insaku. Ihibambawe, umurushwa amucira urw'ukuri akurikije ubutungane, abatobato mu gihugu yama abagarukira mu rubanza, ijambo ryiwe ni inkoni ikubita abishira hejuru, impuhwe ziwe na zo zitikiza inkozi z'ikibi.

Ingingo yama ayikenyereye, ukuri azira kuguhemukira. Imfyisi isigaye yibanira n'umwagazi, ingwe isigaye iryamana n'agahene, inyana isigaye irisha iruhande y'umwana w'intambwe, biragiwe n'akana gatoyi. Inka n'imfyisi bisigaye ari pfampfe, abana bavyo barabana. Intare isigaye isangira ubwatsi n'impfizi. Ikibunduguru gisigaye gikinira ku mwobo w'imamba, kikarongereza iminwe mu mwobo w'incira. Nta busuma, nta nabi igikorerwa ku gatumba k'Umukama ; kuko, nka kurya amazi yuzura ikiyaga, niko n'abantu buzuwe n'ugutegera Umukama. Muri ico gihe, agasigarira ka Yese (ari we se wa Dawudi) kazokwibonekeza kabere ikimenyetso amakungu. Eka intara zose zizoza zikirukira, inyubakwa yako izoshemezwa hose.

## Igisomwa ca kabiri : *Abanyaroma: 15,4 – 9*

Ivyo dusoma mw'ikete Umutumwa Paulo yandikiye Abanyaroma :

*(Kristu niwe Mukiza w'abantu bose)*

Ncuti zanje :
Ivyanditswe kera vyose vyanditswe ngo bitubere inyigisho ; ivyanditswe mu Bitabu Vyeranda bidutuma tudatirigana, bituzanira uruhoza, tukabona kwizigira. Ese Imana Mutananirwa, Nyen'uruhoza, yobaja imbere mukama muhuza imitima, mwihetse kuri Yezu Kristu ; niho muzoshobora kuninahaza Imana, Se wa Yezu Kristu Umukama wacu, muhurikiye hamwe, n'umutima umwe, n'ijwi rimwe. Nico gituma namwe mwokwakirana runtu, nkuko Yezu Kristu yabakirije yompi ngo Imana ininahazwe. Koko, ndemeza ko Yezu Kristu yerekanye ingingo y'Imana mu kwigira umusuku w'abayahudi, akarangura atyo imihango yemerewe basekuru babo. Ndemeza kandi ko intara z'abapagani zininahaza Imana kubera ikigongwe izifitiye, nkuko handitswe ngo : « Nico gituma nzogushimagiza mu ntara zose, nkaririmba ubuninahazwa bw'izina ryawe. »

## Inkuru nziza *: Matayo: 3,1– 12*

**Alleluya, Alleluya.**

- Nimutegure inzira y'Umukama, nimuringanize inzira ziwe; niho umuntu wese azobona urukiza rw'Imana.

**Alleluya.**

Ivyo dusoma mu Nkuru Nziza ya Yezu Kristu nkuko twayishikirijwe na Matayo:

*(Nimwihanure kuko ubwami bw'ijuru buri hafi)*

Muri irya minsi, Yohani Baptista aja kwigishiriza mu gahinga ko mu Buyudeha, akavuga ati: "Nimwihanure kuko ubwami bw'ijuru buri hafi.' Niwe umuhanuzi Izaya yavuga hamwe yagira ati!: "Ijwi ririko rirasemerera mu gahinga riti: 'Nimutegure inzira y'Umukama, mugorore inzira ziwe.'" Uwo yohani yari yambaye umutamana w'ubwoya bw'ingamiya, akawukenyeza umukanda w'urusato; ivyokurya vyiwe na vyo vyari inzige n'ubuki bwo mw'ishamba.

Nuko rero, igisagara c'i Yeruzalemu, Ubuyudeha bwose n'intara yose ya Yordani baja kumwumviriza; yarababatiza mu mazi y'uruzi rwa Yordani, bakirega ibicumuro vyabo. Aho aboneye abafarizayo n'abasadusayo benshi baza kubatizwa, yababwiye ati: "Namwe bwoko bw'imamba, ni nde yabahanuye guhunga ishavu riri mu kuza? Kora ikintu cerekana umutima wo kwihanura; ntimwibeshe mwibwira mu mitima yanyu ngo: 'Turifitiye uwatuvyaye Ibrahimu.' N'ukuri ndabibabwiye: aya mabuye mubona aha, Imana irashobora kuyaremamwo abana ba Ibrahimu. N'ubu ishenyo iraneze ku mizi y'ibiti: igiti cose kitama ivyamwa vyiza kiza gucibwa gitabwe mu muriro.

Jewe ahanje, ndababatiriza mu mazi kugira ngo mwisubireko, ariko uwuza mu nyuma zanje arandusha ubukuru, mbere sinkwiye no kumwambura ibirato; we azobabatiza muri Mutima Mweranda no mu muriro. Afise urutaro mu minwe; none aza gukubura imbuga yiwe, yimburire ingano mu kigega, na vyo ibikumbi abiturire mu muriro utazokwigera uzima."

# Nyenubweranda Papa Fransisko ati: «Yezu Kristu yarigize umworo kubwanyu» (2 Co 8,9)

*(Bitangurira ku rup.1)*

ubutunzi bwabwirizwa kuremurura abantu isinzi basinzikajwe n'ubukene bivuye ko bahatakarije akazi. Hatanguye agahengwe, tutirengagije ububabare bwavuye ku kubura ababo, kadufasha mu kugaruka ku migenderanire dufitaniye hagati yacu, gusubira guhura mu mwidegemvyo.

None raba haje ikindi caduka kisubiye guhungabanya isi mu yindi shusho nshasha. Indwano yo mu gihugu ca Ukrene ije yiyongera ku zindi ndwano hirya no hino iriko ituma muri ino myaka hapfa abantu benshi hakongera hakononekarira vyinshi.

Ubu witegereje neza usanga iyi ndwano ari akayobera bahinga kuko yaciye ituma hisukamwo igihangange kw'isi gishaka gutanga amategeko yaco kandi ateye kubiri n'ubwigenge bw'abantu. Ibihe bitwibutsa kahise kabi biguma bigaruka, bigatuma ukunyinyurana kw'ibihangange kw'isi binigira mu menshi ijwi ry'abaharanira amahoro.

2. Abakene izo ntambara zitagira insiguro zituzanira bangana iki! Hirya no hino aho tugeza amaso tubona izo ndwano zihitana cane cane abatagira ikibarwanira na bantahonikora ; isinzi ry'abantu batwarwa nk'imbohe bakabajanwa ahantu hatazwi cane cane abahungu n'abigeme, kugirango babakure mu mico n'imigenzo yabo, mu ntumbero yo kubashiramwo ku nguvu akandi karanga.

Amajambo y'umuririmvyi w'izaburi kw'isenyuka rya Yeruzalemu no gutwarwako imbohe kw'urwaruka rw'abayahudi nivyo vyagarutse : « Ku nkengera z'inzuzi za Babilone, niho twari twicaye, tukarira twibutse Siyoni. Inanga zacu twari twazimanitse ku biti vy'aho hantu. Aho ni ho abari batugize imbohe badusabira ngo tubaterere ururirimbo, abaduturubika bakadusaba kunezerwa, batubwira bati : « turirimbire akaririmbo mu tw'i Siyoni. Mbega twari kuririmba gute ururirimbo rw'umukama turi kubutaka bw'abanyamahanga? » Ps 137 ,1-4

Isinzi ry'abakenyezi, abana n'abageze mu zabukuru barategerezwa kwita bongera bahunga ibisasu bikomeye baja kurondera ubuhungiro mu bihugu bihana imbimbe, bakaba impunzi.

Abasigaye mu ntara zirimwo ingwano na bo babaho mu bwoba butagira izina, batagira ico barya, batagira amazi, badashobora kwivuza eka batagira n'uwubereka umutima w'urukundo.

Muri ivyo bihe, akenge karazimata, kandi ni abantu basanzwe bahitanwa n'izo ngaruka z'intambara biza kwiyongera ku gitigiri kinini cane c'abakene bari bahasanzwe.

Twotanga gute inyishu ibereye, ikwiye, ishobora kuzanira agahengwe n'amahoro abo bantu bose bugarijwe n'umwiheburo n'ubuzima bubi?

3. Umusi mpuzamakungu w'aboro ugira gatandatu ushitse turi mu gihe c'amayoberane, mu kudutumirira, nk'umutumwa Paulo mweranda, kuguma duhanze amaso Yezu we « n'aho yari umutunzi yarigize umworo ku bwanyu kugirango muhinduke abatunzi ku kubera ubworo bwiwe. » (2co8, 9).

Mu gihe yariko aragendera Yeruzaremu, Paulo yarahuye na Petero, Yakobo na Yohani, bamusavye ko atokwibagira aboro. Muri ico gihe Ekleziya y'i Yeruzalemu yari mu ngorane nyinshi ziturutse ku nzara yari yateye mu gihugu. Uwo mutumwa yaciye yitwararika kuringaniza uburyo bwo kwegeranya ivyo bofashisha aboro. Hakurikijwe intumbero y'umutumwa Paulo, umusi wa mbere w'indwi, baregeranya bagashira hamwe utwo baziganije kandi babikorana umutima mwiza.

Nkuko vyamye bikorwa kuva ico gihe mu bakristu ba mbere, na twebwe ku musi w'Imana mu gihe co guhereza Ukaristiya Nyeranda, turakora ico kimenyetso mu gushira hamwe amashikanwa yacu kugirango abanyamuryango bashobore gufasha abakenye gusumba abandi. Ni ikimenyetso abakristu bamye barangurana akanyamuneza n'umwitwarariko mwinshi kugirango ntihagire n'umwe mubo bavukana abura ivyankenerwa.
Ivyanditswe na Yustino Mweranda wo mu kinjana ca 2 asigurira umwami Antonino le Pieux ivyerekeye uguhimbaza umusi w'Imana kw'abakristu, vyaravyerekana : « Umusi batazira « umusi w'izuba », abantu bose bo mu bisagara n'abo mu gihugu hagati, barahurira hamwe bagasoma ivyakozwe n'abatumwa n'inyandiko z'abahanuzi, nkuko umwanya ubibakundiye [.....].

Hanyuma bagasabikanya ivyeranda umwe wese akaronka hanyuma abadiyakoni bagashira abataje ibibagenewe. Abafise vyinshi, kandi bafise umutima wo gutanga, baratanga ku gushaka kwabo ico bipfuje hama ivyo begeranije barabihereza uwurongoye Inkuka ya misa. Nawe agaheza agatabara impfuvyi, abapfakazi, abarwaye, ba ntahonikora, abapfunzwe, ba kavantara, mw'ijambo rimwe atabara abo bose bari mu bukene » (Première Apologie, LXVII, 1-6).

4.Tugarutse kuri Ekleziya y'i Korenti, umwete watanguye kugabanuka ubwo nyene inyuma y'akanyamuneza bari bavyakiranye, hama ico gikorwa ciza ca Paulo mweranda kiraheza gitakaza akariro.

Nico catumye Paulo asubira kubandikira mu rukundo n'igishika kugirango bagarukane ubwira bwo kwegeranya amashikanwa :
« Ubu rero nimuheraheze ico gikorwa,

*Ibikur. urup. 5*


# Mu myaka 124 iheze Inkuru nziza itanguye kumenyeshwa mu Burundi, ivyamwa bingana iki?

(Bitangurira ku rup.1)

hamaze kuvuka amaparuwase 23, na ni aya:

Paruwase Kanyinya yitiriwe Umuvyeyi Mweranda w'inama nziza (Sainte Mère du Bon Conseil :1905 ; Rugari (Sainte Mère du Bon Pasteur :1908; Gisanze (Sainte Marie Virgo Potens: 1937 ; Muramba (Sainte Marie Regina Pacis) : 1941 ; Mukenke (Sainte Marie Notre Dame de Lourdes) : 1951.

Paruwase Gitaramuka yitiriwe Papa Pie X yavutse mu 1955 ; Muyinga (Sainte Marie Notre Dame de Lourdes) : 1959 ; Ntega (Saint Jean Bosco) : 1964 ; Murore yitiriwe Francois Xavier mweranda yavutse mu



1964; Giteranyi (Christ Lumière du monde) : 1966; Gasorwe (Immaculée Conception) : 1972 ; Ruzo (Christ Prophète) : 1984 ; Ruhehe (Saint Joseph Epoux de Marie) : 1993 ; Gasura (Saint Francois Xavier): 1999.

Paruwase Bugwana yitiriwe Thomas mweranda Umutumwa, yavutse muri 2005 ; Kamaramagambo (Cœur Sacré de Jésus) : 2011 ; Mwakiro ( Saint Jerome) : 2012 ; Paruwase Masanganzira yitiriwe Joseph Mweranda, Umukozi yavutse muri 2013 ; Muhuzu (Saint Jean XXIII): 2014 ; Buhiga yitiriwe Papa Yohani Paulo wa II yavutse muri 2014; Mugano (Sainte Thérèse de Calcutta) : 2016 ; Buhoro (Saint Paul VI) : 2019 ; Kananira (Marie reine du Ciel) : 2020 ;

**Abasaserdoti bo ni banagana iki ?**

Abasaserdoti bakukira Diyoseze ya Muyinga bakarangurira ubutumwa muri Diyoseze, ni 85. Abakukira Diyoseze ariko barangurira ubutumwa mu yandi madiyoseze mu gihugu 8. Abasaserdoti bari ku mashure canke bari mu butumwa hanze mu makungu ni 22. Bose hamwe, Diyoseze ya Muyinga ifise abasaserdoti b'imvukira 115.

*Patiri Noël Ntirandekura*

# Diyoseze ya Ruyigi yavutse ryari?

Mu mwaka w'1973, niho hashingwa Diyoseze ya Ruyigi ica ishingwa Musenyeri Yohakimu Ruhuna ngo ayirongore.

Muri Ndamukiza 1980, Musenyeri Yohakimu Ruhuna yagenywe kuba Umwungere mukuru wa Diyoseze nkuru ya Gitega. Yaciye asubirirwa na Musenyeri Joseph Nduhirubura mu burongozi bwa diyoseze ya Ruyigi.

Kuwa 30 gitugutu 2011, niho Musenyeri Blaise Nzeyimana yagenwa kandi yatirirwa kuyobora Diyoseze ya Ruyigi. Aba abaye rero umwungere agira gatatu ashinzwe kuyobora iyo Diyoseze ya Ruyigi.

***Muti none diyozeze ya Ruyigi imaze kuvyara amaparuwase angahe ?***

Muri Diyoseze ya Ruyigi hari amaparuwase 17 : Nayo ni aya :

Paruwase ya Muyaga ariyo Misiyoni ya mbere mu Burundi yitiriwe Umushaha Mweranda wa Yezu (Sacré couer): yavutse mu 1898; Paruwase ya Rusengo yitiriwe Yozefu Mweranda nayo irakurikira mu 1924. Paruwase ya Gitwenge yitiriwe Ana mweranda yavutse mu 1951.

Paruwase ya Gisuru yititwe Mariya mweranda Umugabekazi (Marie Reine) : 1955 .

Paruwase Ruyigi 'yitiriwe Abamaratiri b'i Buganda (Saints Martyrs de l'Uganda) yavutse mu 1962 ; Paruwase Gishungo (Saint Pierre Claver) yavutse mu 1966 ; 1968 Kinyinya (Saints Pierre et Paul) : 1968 ; Paruwase ya Kayongozi (Saint Francois d'Assise) yavutse mu 1969.

Paruwase Muriza (Notre Dame de l'Assopmtion) : yavutse mu 1971 ; Cendajuru (Epiphanie) ivuka mu 1972 ; Butezi (Saint Jean Bosco) : 1977 ; Muremera (Notre Dama de la Miséricorde): 1978 ; Nyabitare (Notre Dame d'Afrique) : 1979 ;

Busoro (Reine de la Paix): 1997 ; Cankuzo (Notre dame de l'Annonciation) 2014 ; Kigarama (sainte Trinité) : 2014 ; Muhwazi (Sainte Esprit) : 2014 ;

**Abasaserdoti bo ni banagana iki ?**

Abasaserdoti bakukira Diyoseze ya Ruyigi bakarangurira ubutumwa muri Diyoseze, ni 68. Abakukira Diyoseze ari-ko barangurira ubutumwa mu yandi madiyoseze mu gihugu 10. Abasaserdoti bari ku mashure canke bari mu butumwa hanze mu makungu ni 19. Bose hamwe, Diyoseze ya Ruyigi ifise abasaserdoti b'imvukira 97.

*Patiri Noël Ntirandekura*

# Nyenubweranda Papa Fransisko ati: «Yezu Kristu yarigize umworo kubwanyu» (2 Co 8,9)

*(Bitangurira ku rup.3*

kugirango ingoga z'ukubishaka zirangukire mubwira bw'ukubiheraheza kuvyo mufise » (2 Co8, 11).

Ndibaza muri kino gihe ukwitanga kw'abantu b'isi yose, bo muri iyi myaka iheze buguruye amarembo kugira bakire ibihumbi n'ibihumbi vy'impunzi zataye izabo kubera intambara zo muri Aziya y'buseruko, muri Afrika yo hagati, ubu naho hiyongeyeko abo muri Ukrene. Imiryango yaruguruye amarembo kugira bahe ikibanza iyindi miryango iriko irahunga, imibano nayo yarakiriye n'umutima mwiza igitigiri kinini c'abakenyezi n'abana kugira babereke ko bagifise iteka.

Ariko uko izo ndyane zibandanya, ni ko n'ingaruka zazo zibandanya ziba mbi ukuruta. Abantu babakira barafise ingorane zituma badashobora kubandanya babakira no kubafasha; iyo miryango n'iyo mibano batanguye kwumva ko baremererewe cane n'ivyo bihe birengeye ugutabara gusanzwe. Ni co gihe co kudacika intege no gusubirana rya shaka rishasha. Ico twatanguye tubwirizwa kukirangiza dufise iryo shaka.

5. Gufatana mu nda ni : ugusangira bike dufise n'abataco bafise kugirango ntihagire umuntu numwe agorwa. Uko umutima wo kubana neza no gusabikanya utera imbere ni ko n'ugufashanya bitera intambwe.
Bisubiye, turategerezwa kumenya ko muri iyi myaka iheze, hariho mu bihugu bitari bike imiryango myinshi yashikiriye urugero rwo hejuru mu kubaho neza. Ni intambwe yakomotse mu bwira bw'abantu no mw'ishingwa ry'amategeko meza yashigikiye iterambere ry'ubutunzi, hamwe n'inyigisho zunganira indiganizo yerekeye imiryango n'ukwitwararika imibano.

Abamaze gushika ku rugero rushimishije mu vy'umutekano no mu vy'intwaro bashobora kubisabikanya n'abo bateshejwe izabo n'ibihugu vyabo bagahunga kugira barabe ko boba barabayeho. Nk'abari mu mashirahamwe adaharanira inyungu n'ivyicaro vya politike, niduharanire uwo muhamagaro wo kubungabunga imigenzo myiza yo kwidegemvya, yo kwitwararika ivyo dushinzwe, y'umuvukano no gushigikirana. Nk'abakristu, ni tuvome mu rukundo, mu kwemera no mu kwizigira ingene tubaho n'uko dukora.

6. Biraboneka ko umutumwa Paulo adashaka guhatira abakristu ku gikorwa c'urukundo. Na none handitswe ngo « Si ibwirizwa nshinze » (2 Co 8,8). Ahubwo ashaka kubibutsa umwete w'abandi kugira urukundo rwabo rube urw'ukuri mu kwitwararika no mu kwakira amaborogo y'aboro (cfr ibid.).

Ico Paulo yishimikije mu vyo asaba ni imfashanyo ikenewe kandi iboneka, mugabo icipfuzo ciwe gishika kure. Aratumirira kwegeranya imfashanyo ngo ibe ikimenyetso c'urukundo, nk'uko Yezu Kristu we nyene yabishingiye intahe. Mu ncamake, umutima w'urukundo werekeye aboro wamuka muguhitamwo Umwana w'Imana yigize umworo .

Umutumwa rero, ntatinya kwemeza ko ukwo guhitamwo Kristu, «ukwo kwiyambura vyose» ari «inema y'Imana» ikaba kandi « umwidegemvyo w'Umukama wacu Yezu Kristu » (2 Co 8,9), ni mu kumwakira gusa dushobora guha insiguro ifadika kandi itumbereye ukwemera kwacu.

Inyigisho dukura mu Bwuzure bushasha iranywana kandi n'Ijambo ry'imana dusanga mw'ibaruwa ry'Umutumwa Yakobo: « Nimube abarangura ijambo, ntimube abaryumva gusa mwibesha, kuko uwumva iryo jambo ntarikore, ameze nk'umuntu arabira mu cirore isura yavukanye, amaze kwiraba akagenda, ubwo nyene agaca yibagira uko yasa.

Ariko uwuzigama rya tegeko ribushitse ritugira abidegemvya akaryihambirirako, ntamere nk'uwuryumva agaca aryibagira, ariko akaba uwurirangura, uwo aba ahiriwe muvyo akora. »
(Jc 1, 22-25)

7. Imbere y'aboro ntiturondera kuvuga amajambo menshi, ariko dutegerezwa kwihatira gushira ukwemera kwacu mu ngiro, umwe wese atarondera gutuma uwundi.

Rimwe na rimwe ubunebwe burashobora kudutera bugafata ikibanza ca mbere, bigakwega inyifato zitabereye, nk'ukwirengagiza aboro. Birashobora gushika kandi ko abakristu bamwe bamwe kubera umunoho w'amafaranga, bakoresha ibitari vyo itunga ryabo. Bikerekana ukwemera n'ukwizigira guke kutabona intumbero.

Turazi ko ikibazo atari ayo mafaranga ubwayo, kuko arafasha cane umuntu mu kubaho kwiwe kwa misi yose no mukwunga ubucuti mu kibano.

Ico tubwirizwa gushingirako ivyiyumviro, ni ugutegera agaciro k'amafaranga : ntashobora kuba ikigirwamana nk'uko wo mengo ni yo aha ihangiro ubuzima bw'umuntu.

Ukwo kwumira ku mafaranga bibuza kubona ukuri kuri mu buzima bw'umuntu, kugahuma amaso kugira umuntu ntabone ico abandi bakeneye. Nta kindi kintu kibi gishobora gushikira umukristu canke umubano coza kiruta kugira ubutunzi ikigirwamana gikwegera mu ntumbero y'ubuzima bubi.

*Biracaza*

*Ndongozi y'Uburundi*

# Diyoseze gatolika ya Muyinga yaraye yuguruye icese insamirizi «RVR - Ijwi rinywanisha»



Kuri uyu wa gatandatu, igenekerezo rya 26 munyonyo 2022, niho Nyenicubahiro Musenyeri Yohakimu Ntahondereye, Umwungere wa Diyoseze Gatolika ya Muyinga, arikumwe n'abasaserdoti, abihebeyimana n'abakristu balayike, bahereza Imana Insamirizi ya Diyoseze "Radio Voix de la Réconciliation, RVR -Ijwi Rinywanisha », ikaba isamiranira ku murongo wa FM, 95.90 MHz.

Kari akanyamuneza ntangere mu kwakira ico ciza nk'abanyamuryango, Insamirizi benshi bakiriye nk'ikimenyetso c'Imana ngo idufashe gutera intambwe mu ngendo yo kunywanisha abarundi, mu kubafasha kurekuriranira no gusubiza hamwe.

Nyenicubahiro Musenyeri Yohakimu Ntahondereye, Umwepiskopi wa Diyoseze, mu ntangamarara y'Inkuka ya Misa y'uyo musi, yarashikirije igihugu c'Imana, icatumye bakorana, asaba abo bose bitavye kwinjira mu nkuka ya Misa bajanye umutima wo kwama bagabiye kugamburukira Imana mu gukomeza umubano mwiza, ukurekuriranira no gusubiza hamwe, akaranga ka buri mukristu wese.

Mu nsiguro yatanze, yarerekanye ico Insamirizi "Radio Voix de la Réconciliation, RVR-Ijwi Rinywanisha » yipfuza ko yofasha abayumviriza bose. Ni inzira yo guhuza abantu batandukanye mu vyiyumviro no mubindi vyose bidutanya ngo bidufashe kwuzuzanya ngo dushike kw'iterambere ry'Umuntu yuzuye.

Niho yagira ati : « None rero, duhamagariwe gukundira Mutima Mweranda mu kwizigiranira kugira ngo vy'ukuri turemeshe mu gihugu, ubumwe n'amahoro, ukurondera rya terambere ryuzuye.

Nkako, ubuhirwe nyabwo buzanwa no kwitanga ngo abandi baronke ukwishira bakizana, baze bameho bunze ubumwe n'Imana, bagire aho baba bubahwe, mukwirinda kwirondera mu bandi ariko twibuka ko twaremanwe agashusho k'Imana nakare ngo Usaba Umwiza mugasa…»

Inyuma y'Inkuka ya Misa, ibirori vyabandanirije kunyubakwa z'iyo nsamirizi kukirimba c'Umwepiskopi, mu migirwa yo guhezagira abakozi bayo, ivyuma vyayo, inyubakwa zayo hamwe no gushikiriza amajambo y'uwo musi.

Mw'ijambo ry'Umuhanuzi mwishikira mu bi ro vya Buramatari, umupfasoni Denise Ndaruhekere, kw'izina rya Buramatari w'intara ya Muyinga yarashimye cane iyo ntambwe n'iteka abanya Muyinga bashitseko kubw'ubwira bw'abarongoye Diyoseze, agirako ahamagarira abanya Muyinga kwitwararika gushigikira iyo nsamirizi kugira ngo yame ironka uburyo bwo gushikiriza ivyo vyiza bisumbirije yabateguriye. Kw'izina ry'uburongozi bw'intara, yaremeye ko bagiye kuyishigikira kubiboneka, no mukuyimenyesha abandi kugira ngo ntisubire inyuma kandi yamane ijunja rikwiye mu Burundi.

Uwushinzwe Urwego rw'Igihugu rucungera amaradiyo n'ibinyamakuru mu Burundi, yari yateye iteka ivyo birori, Umupfasoni Vestine NAHIMANA, mw'ijambo yashikirije, yarakengurutse cane, kuko habonetse igikoresho kigiye kunywanisha abarundi akipfuriza abasuku bayo kuyiteza imbere ngo ubumenyeshamakuru butere iteka Uburundi :

«Iyi radiyo ije hageze, kuko abenegihugu banyotewe ukumenya ibiba mu gihugu, mu ntwaro, imibano, ibidukikije n'ibindi…. abarundi bari hanze, cane cane abari mu buhungiro, bazoronka inkuru zitomoye baronke ikibatuma bubahuka gutahuka mu gihugu c'amavukiro… »

Akaba yateye akamo n'abandi b'Episkopi barongoye ayandi madiyoseze, ngo biyungunganye nabo bashinge amasamirizi kugira ngo ubunywanyi bw'igihugu n'abaco bukomere.

Yaboneye akaryo ko kwibutsa abasuku bayo ivyo bafitiye uburenganzira kumwe n'ivyo bategerezwa kugira ngo, ibikorwa vy'iyo nsamirizi bize bigende neza kandi biciye mu kuri.


Nyenicubahiro Musenyeri Yohakimu Ntahondereye, yarakeje cane abanyamuyinga kuciza Imana ibagabiye, ahereye kuri Partiri Evariste Harerimana we yitanze atiziganya ngo ico ciza gitangure gusamiriza ibiganiro vyo kwubaka abarundi, gukomeza no gutsimbataza ukurekuriranira no gusubiza hamwe. Ngo ugushaka kw'Imana ntikworeka kurangukira mubayigamburukira, ninako karanga yipfuza mu basuku bagiye gushingwa ibikorwa bitandukanye vy'iyo nsamirizi.

Yarakengurukiye kandi abarongoye Inama nkuru ishinzwe ivyo kumenyesha amakuru mu Burundi, umushikiranganji wo kwivuna abansi yari yahishikiye nk'Imvukira ya Diyoseze, ngo kw'izina rya Republika y'Uburundi, iteka bateye Diyoseze rize ryerere abarundi baze bashobore gukora bafatanye munda kandi bereke za kuciza kimwe co guhuza abarundi bose.

Twobamenyesha ko ivyo birori vyasozerewe n'agatutu kubatumire ku kirimba c'Umwepiskopi, mu gusangira inzimano y'umusi mukuru.

**Advaxe NDAYISENGA**
***SAVACOM***

# Musenyeri Danilo Catarzi yari yarisabiye ko yoshingurwa i Kavimvira muri Diyoseze ya Uvira.




Kuwa kabiri igenekerezo rya 22 Munyonyo 2022, Abamisiyonari b'abasaveriyano b'i Burundi, barifatanije n'abo muri Diyoseze ya Uvira muri Republika iharanira intwaro rusangi ya Congo, mu kwakira ku kibuga c'indege citiriwe Melchior Ndadaye c'i Bujumbura, ibisigarira vy'umubiri wa (ikiziga ca ) Nyenicubahiro umuhisi Musenyeri Danilo Catarzi, w'ubwenegihugu bw'Ubutaliyano.

Uyu mwepiskopi yari amaze imyaka 18 ashinguwe mu gihugu c'amavukiro, i Parme mu Butaliyano, ku nzu nkuru y'uwo muryango, ariko akaba yazanywe ngo ashingurwe muri iyo Diyoseze ya Uvira yabereye Umwepiskopi wa mbere.

Bashikanye ibisigarira vy'umubiri w'uwo Mwepiskopi ku kibuga c'indege c'i Bujumbura, abakristu ba Uvira bacakiranywe icubahiro, baca baragiherekeza gushika mu Gatumba ku rubibe Uburundi buhana na Republika iharanira intwaro rusangi ya Congo, baraheza babandanya aho i Uvira ngo bamushi-ngureho bwegu, muri iyo Diyoseze yabereye Umwepiskopi wa mbere. Akaba yaciye ashingurwa ku wa Gatatu igenekerezo rya 23 Munyonyo 2022.

Abamisiyonari b'abasaveriyano bo ntara y'ubutumwa y'akarere k'ibiyaga binini bari baserukiwe na patiri Gabriel Basuzwa, ari na we yatwiganiye ukuntu urwo rubanza rwari rutunganije. Yavuze ati: "Tumaze kwakira ibisigarira vy'umubiri w'uwo mwepiskopi yatanguriye abandi muri Diyoseze yabo haca hakurikira ukubiherekeza ubwo nyene. Tuja gusanganirwa n'abakristu bo ku ruhande rwo muri Diyoseze y'i Uvira aho ihana urubibe n'iy'i Bujumbura ku mupaka w'i Gatumba.

Abo bakristu bo muri Diyoseze ya Uvira, bamaze kwakira ikiziga c'uwahoze ari Umwepiskopi wabo, haca haukurikira ukugira urugendo. abami-siyonari bari kumwe na bo, baca bagana mw'isengero nkuru ya Diyoseze ya Uvira, Katedrale, aho barara mu gisabisho ijoro ryose, gushika bukeye ku wa Gatatu, kw'isaha zibiri zo mu gitondo.

Muri abo bamisiyonari bakiriye uwo muhisi Musenyeri Danilo Catarzi bakawujana i Uvira harimwo kandi na patiri Faustin Turco, ajejwe kuvugira ababereye gushirwa mu muce w'aberanda.

Harimwo kandi n'Icariho Gikuru c'Umwepiskopi wa Diyoseze ya Uvira, Patiri Honoré Kalebwa. Na we nyene yaratwiganiye uko abanyamuryango ba Diyoseze ya Uvira bakiriye igarukanwa iwabo ry'umubiri wa Musenyeri Danilo Catarzi.

Patiri Honoré Kalebwa yagize ati: «Turahimbawe cane no kuza kwakira uwatanguye kuba imbere y'abandi bose Umwepiskopi wacu. Abakristu b'i Uvira ni bo nyene ubwabo barungitse urwandiko rwo kubisaba, ruriko ibikumu 1.200 vy'abakristu baserukiye abandi, ngo bikunde ikiziga c'uyo mwepiskopi kigaruke muri Diyoseze iwacu.

Kukaba nka ko, Musenyeri Danilo Catarzi yaratubereye imbuto nziza muri Diyoseze. Vyongeye, ukumubona afubwe iwacu ni ikimenyetso gikomeye, atari mu vy'umutima gusa, ahubwo ngo ni n'umuvyeyi wacu. Yarakoze ivyiza vyinshi, haba mu vy'imibano, mu vy'ubutunzi, no mu vy'ubutumwa bw'ukumenyesha Inkuru Nziza.

Bikaba bizwi ko mu mico yo muri Afrika, umuvyeyi yama afubwa ahantu hatuma abiwe bumva ko abaguma hafi, bikunze mbere agafubwa hagati mu muryango."

***Umuhisi Musenyeri Danilo CATARZI, ni nde?***

Ni Umwepiskopi wa mbere wa Diyoseze ya UVIRA, ni umwe mu bamisiyonari batanguje ubutumwa bw'Inkuru Nziza mu gihugu ca Republika iharanira intwaro Rusangi ya Congo, hari mu mwaka w'1958. Yavutse mu mwaka w'1918, i Lucciano de Quarrata mu Gihugu c'Ubutaliyano. Yatiwe mu busaserdoti mu mwaka w'1943. Yagenwe kuba Umwepiskopi wa Diyoseze ya UVIRA mu mwaka w'1962.

Yarasangiye amahirwe n'amagorwa n'abakristu bo muri iyo Diyoseze yari ahejeje kuragizwa, arakunda kandi arakundwa n'ubusho yaragijwe, gushika aho aboneye amagara amukitse, mu mwaka w'1981, agasaba akaruhuko. Yitavye Imana ku wa 23 Munyonyo 2004, afubwa vy'imfatakibanza mu Butaliyano, ku nzu nkuru y'umuryango w'Abamisiyonari b'abasaveriyano, ari na ho ibisigarira vy'umubiri wiwe bije bizananye.

Yazanwe gufubwa bwegu i UVIRA inyuma y'aho abakristu bo muri iyo Diyoseze yabereye Umwepiskopi wa mbere bandikiye urwandiko rwo gusaba ko Umwepiskopi bamaranye imyaka ishika kuri 20 yose yogarukanwa aho we nyene yari yarisabiye atarapfa ko yoshinguwe, mw'isengero we nyene yiyubakishirije ku kirimba ca Bikira Mariya c'i Kavimvira.

*Patiri Noël Ntirandekura*

# Inama mpuzamakungu igira 27 ijanye n'ihindagurika ry'ikirere

Kuva ku wa 6 gushika ku wa 19 Munyonyo 2022 mu gihugu ca Egypte mu gisagara ca Charm El-Cheikh harabereye inama mpuzamakungu igira 27 ijanye n'ihindagurika ry'ikirere.

Iyo nama ikaba yitabwe n'abakuru bibihugu, abashikiranganji, abaserukira amashirahamwe ategamiye ama reta, abaserukira ibisagara hamwe n'abaserukira amahinguriro. Bose bakoraniye hamwe muri iyo nama mpuzamakungu iba uko umwaka utashe ngo barabire hamwe ibijanye n'ihindagurika ry'ikirere.

Iyo nama igira 27 yari ifise intumbero yo kurabira hamwe ingene bogabanya imyuka ituma ikirere gishuha ; ingene ibihugu biteye imbere mu bijanye n'amahinguriro ari navyo bituma iyo myuka iba myinshi vyofasha ibihugu bikiri mu nzira y'amajambere bihanamiwe n'ingaruka mbi ziva kwihindagurika ry'ikirere hamwe no kwizeza ibihugu bikiri mu nzira y'amajambere ubufasha ku bijanye n'ubuhinga hamwe n'uburyo mu bikorwa bijanye n'ukugabanya ivyo vyuka.

Ikibazo cari gihambaye carico gutambutsa ku buryo buboneka ivyo bari biyemeje bijanye no gutanga imfashanyo ku bihugu vyahuye n'amakuba ava kwihindagurika ry'ikirere. Bidakozwe gurtyo, rigafatwa nk'ideni ibihugu vyo mu Buraruko biteye imbere bifitiye ibihugu vyo mu Bumanuko bikenye.

Ico kibazo haheze igihe cigwa muri ayo ma nama, caza catera intambwe aho bemeye gushinga ikigega gifise intumbero yo gufasha ibihugu vyahuye n'amakuba ava kwihindagurika ry'ikirere.

Ni intambwe idasanzwe yabaye muri iyo nama igira 27 yabereye muri Afrika. Ibihugu bigize ubumwe bwa Buraya bikaba arivyo vyagize uruhara runini kugira iyo ngingo ishikweko. Bakaba barasavye ko ibihugu biteye imbere kandi bifise amahinguriro bitari biri muri urwo rutonde vyokengerwa ku gitigiri civyari bihasanzwe.

Muri iyo nama kandi mu ndwi igira kabiri bararabiye hamwe ikibanza c'umukenyezi muri urwo rugamba rwo guharanira ukubungabunga ikirere. Abakenyezi bakaba barasavye ko nabo bogira ikibanza kiboneka muri ayo manama.




Barabonye kandi ko iyo habaye ingaruka mbi zivuye kw'ihindagurika z'ikirere, abarwa mu mporero gusumba abandi ari abana n'urwaruka. Mu cegerenyo ca UNICEF umwana umwe kuri batandatu kw'isi akaba ahitanwa n'ivyaduka bivuye kwihindagurika ry'ikirere.

**Uruhara rwa Ekleziya muri iyo nama.**

Muri iyo nama igira 27, kw'izina rya Nyenubweranda Papa Fransisiko, Karadinali Pietro Parolin yarafashe ijambo ku wa 8 Munyonyo 2022. Muri iryo jambo, yarerekanye ingene ingorane ziva kw'ihindagurika ry'ikirere rituma haba abantu benshi bava mu bihugu vyabo bagahungira mu bindi bihugu.

Akerekana cane cane ingene ibihugu vya Amerika yo hagati na Afrika y'uburaruko, abantu benshi barenga umumilioni bahunga kubera isi yaho ukuyibako bisigaye ari ingorane. Agatanga akarorero afatiye ku cegeranyo catanzwe n'ishirahamwe rya ONU riraba impunzi ko muri iri ici muri Somaliya abantu barenga umumiliyoni bahunze kubera uruzuba.

Agatumirira abo bari muri iyo nama ko bokora uko bashoboye atari ku neza yabo gusa, ariko ari no ku neza y'abana babo.

Ni intumwa ya Papa mu Egypte, Musenyeri Nicolas Thevenin, mw'ijambo yashikirije, yarerekanye ko ingaruka ziva kw'ihindagurika ry'ikirere ziraba abantu bose ariko canecane aboro na bantahonikora.




Agatanga iyindi ntererano hambavu yivyo bari bashimikiyeko ko ugutanga inyigisho zo kubungabunga ibidukikije navyo bifise uruhara ntasubirizwa.

Tubamenyeshe ko na Nyenicubahiro Evariste Ndayishimiye yari yagiye muri iyo nama akaba amaze gukenguruka ubutumire n'ingene bakiriwe neza muri ico gihugu yaciye ashikiriza ingene Uburundi bwashize imbere ukubungabunga amashamba cimeza no gukingira isi ndimwa kugira haboneke umwimbu.

Ariko agasaba amakungu gufata mu mugongo Uburundi kuko ibikorwa vyo kubungabunga ikirere bisaba uburyo butari buke. Inama yo mu mwaka uza ikaba iwobera mu kigobe c'Abarabu.

*MSV M. Goreth NDIKUMANA*

# Iyugururwa rya Yubile y'imyaka 75 y'ikigo c'iyandikiro « Les Presses Lavigerie»

Ku wa 5 Munyonyo 2022, niho ikigo c'iyandikiro ry'ibitabo citiriwe Lavigerie, cugurura umwaka wa yubile y'imyaka 75 ico kigo kirangurira ubwo butumwa muri ekleziya y'i Burundi na cane cane muri diyoseze nkuru ya Bujumbura ku butaka bwa paruwase Mikaheli Mweranda.

Ivyo birori bikaba vyabereye mu nyubakwa z'ico kigo mu nzu nshansha y'imanza yaheruka kubakwa, birongowe na nyen'icubahiro musenyeri Gerevasi BANSHIMIYUBUSA arongoye diyoseze Bujumbura, arikumwe na musenyeri Evaristo NGOYAGOYE yahoze arongoye iyi diyoseze kumwe n'abandi basaserdoti barangurira ubutumwa mu biro vy'inama y'abepiskopi nk'umunyamabanga w'inama y'abepiskopi.

Mu kwitsa Ijambo ry'Imana, musenyeri Gervasi BANSHIMIYUSA yabanje kwibutsa abari ngaho ko kugira umuvunyi umuntu yisunga mu buzima ari ikintu ngirakamaro, kuko aba arose uwo yitura ngo amubere mu ngoro kugira ngo ivyo akora kuri iyi si, bibe ibitunganye. Ni ukuvuga ivyo Imana ishaka bigaheza bigatera iteka abantu yiremeye.

Aho ni mugihe ico kigo caragijwe umweranda Karori Bolome asanzwe ahimbazwa muri ekleziya igenekerezo rya 4 Munyonyo uko umwaka utashe, akaba ari no muri iyo ntumbero nyene bifuje ko uwo musi mukuru w'iyugururwa ry'uwo mwaka wa yubile ryobera rimwe n'ihimbazwa ry'uwo muvunyi.

Umwungere abanda yibutsa ko iryo hangiro rya yubile abo abakozi b'ico kigo bihaye, ryobibutsa ko kuri iyi si, atanumwe Imana yahashize itamuhaye ingabirano y'akamaro ku bandi. Ko nubundi igihe ca ari igihe co kurimbura kahise bakenguruka, no kuzirikana kazoza tukaragiza Imana, bahereye nagho, umwe wese acae aboneraho kwirimbura akenguruka ico amaze gukoresha ingabirano yahawe n'Imana gushika uyumusi agikorera ico kigo ca presse lavigerie.

Na cane cane yirimbure yerekeza amaso kuri kazoza mukwigira inama nziza y'ingene yokoresha neza ingabirano yahawe kugira bangabunge yongere ateze imbere ico kigo ca presse lavigerie. Yaboneyeho gukeza yongera atera intege abo bakozi b'ico kigo, ku mwete n'ubwira bakorana ibikorwa, ivyo bikabonekera mu vyamwa ico kigo cama.

KARABONA Boniface aserukira abakozi bakorera muri ico kigo, kubwiwe avuga ko ari vyiza cane guhimaza yubile kuko birafise ico bibamarira narirya hari benshi bafise ibigo nk'ivyo ariko badashobora gimbaza yubile, canke bagashobora kumara imyaka nk'iyo ariko ntibashobore kugirirwa ibakwe ryo guhimbaza yubile.

Yaboneyeho guhimiriza abakozi mu bikorwa basanzwe bakora, barushirizeho naririya abaza babagana muri iki gihe basigaye ari benshi cane. Kabaye n'akanya keza ko gusaba abakoresha ko bogerageza kugwiza ivyuma bisahiriza ivyari bihasanzwe ivyo bizofasha kugira ibikorwa bakorera ico kigo bigende neza kandi bishimwe n'abakiriya bazoza babitura.

Yarasavye kandi umwungere ko bobashikira imbere bakabasabira uruhusha rwo gukora amakaye kuko ivyuma hamwe n'ubumenyi bafise bikwiye kugira bakore ico gikorwa, yarasavye kandi ko ivyo bikorwa bakora vyoza biraca ku buhinga ngurukana bumenyi. Umwungere yarashimye ivyo vyiyumviro, kubijanye no gukora amakaye akizigira ko igihe vyoshika bakemererwa ayo makaye yokorwa neza kandi ku giciro gitoya.

Muri ivyo birori kandi hari haje uwaserukiye musitanteri wa komine Mukaza, kw'izina ry'abatumire bari bitavye urwo rubanza, yarakengurutse cane ibikorwa vy'ico kigo kuko yasanzwe aza kubashorera bimwe muvyo bahakorera.

Nk'uko bivugwa rero, ico kigo cabayeho kuva mu 1947 aho abeoieskopi batatu b'abamisiyonari ba Africa baserukira Papa mu ntara y'ubutumwa y'i Burundi, Kivu na haut congo bashira inguvu hamwe ngo barondere imashini zo gutanguza i Bujumbura ikigo c'ekleziya c'iyandikiro ry'ibitabo. Bamaza kubija inama, baciye babisaba baravyemererwa. Ico gihe baciye bahabwa izo mashini, bongera bahabwa n'umufurera yitwa Visenti Simoni yarazi kubikoresha.

Mu 1948, ari nawo mwaka bafatirako mu guhimbaza amayubile, niho batangura buhorobuhoro kwandika ibitabo, icogihe bavyandikira mu kagaraje kari ngaho nyene ka ekonoma y'imisiyoni ya Bujumbura.

Muntango ico kigo, citwararika cane cane kwandika ibitabo vyakoreshwa mu mashule yari muri Kivu, mu nyuma kirandika ikinyamakuru Rusiziramarembe, ubu gisigaye citwa Ndongozi.

Ku wa 30 Gitugutu 1985, niho abo bapatiri b'abamisiyonali ba Afrika niho begurira ico kigo inama y,abepiskopi Gatorika.

Mu 2011, niho ico kigo caba ishirahamwe ry'igenga ry'inama y'abepiskopi gatorika b'i Burundi.

Tubamenyeshe ko isozerwa ry'uwo mwaka wa yubile waraye wuguruwe rizoba ku wa 4 Munyonyo 2023 ku musi mukuru w'ihimbazwa ry'umuvunyi w'icokigo.

Tukabamenyesha kandi ko ico kigo kugeza ubu gifise abakozi bose hamwe bangana kuri 45.

Uwo musi mukuru ukaba wahimbajwe ku civugo ngo : *"Ntimupfishe ubusa ingabirano mwahawe n'Imana"* 2 Col 6,2

***Chanel HARINGANJI***

# Uburenganzira bwo kutagirwa umuja

Uburenganzira bwo kutagirwa umuja bugenewe zina kiremwa muntu wese. Nta muntu n'umwe akwiye kugirwa umuja w'uwundi. Ubushumba n'urudandazwa rw'abantu rurabujijwe mu buryo ubwo ari bwo bwose.

Igenekerezo rya 2 kigarama uko umwaka utashe amakungu arahimbaza umusi wagenewe kwibutsa ko bibujijwe kugira umuja ikiremwa muntu.

Uburenganzira bwo kutagirwa umuja canke umushumba butegekanijwe n'amategeko mpuzamakungu hamwe n'amategeko y'igihugu.

**1. Ingene amategeko mpuzamakungu atunganya ubwo burenganzira.**

Uburenganzira bwo kutagirwa umuja butegekanijwe n'amategeko mpuzamakungu atandukanye :

* Itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu,

* Amasezerano mpuzamakungu yerekeye uburenganzira bw'abantu mu vyabo no mu vyerekeye poritike,

* Amasezerano mpuzama-kungu yubahiriza agate-ka k'abana,

* Amasezerano yunganira amasezerano mpuzamakungu arwanya ivyaha bikorwa hagati y'ibihugu,

* Amasezerano mpuzamakungu yerekeye gukinga no guhana urudandazwa rw'abantu cane cane ibikorerwa abagore n'abana



* Hamwe n'amasezerano ya Afrika yubahiriza a-gateka ka zina muntu n'ak'abenegihugu.

Ingingo ya 4 y'itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu ivuga ko ata muntu n'umwe azogirwa umushumba canke ngo akoreshwe buja.

Ubushumba n'urudandazwa rw'abashumba mu buryo ubwo aribwo bwose burabujijwe.

Ingingo y'8 y' amasezerano mpuzamakungu yerekeye uburenganzira bw'abantu mu vyabo no mu vyerekeye poritike ivuga,mu gace kayo ka mbere, ko ata muntu n'umwe yogirwa umuja w'uwundi, ko kugira abantu abaja mu buryo ubwo aribwo bwose bibujijwe.

Ingingo ya 19 y'amasezerano mpuzamakungu yubahiriza agateka k'abana mu gace kayo ka mbere ivuga ko ibihugu vyemeje aya masezerano bifata ingingo zose zishoboka mu vyerekeye intwaro, imibano n'indero kugira ngo umwana akingirwe ico cose kimusinzikariza ubuzima, kimuturubika, gituma atabwa akaba we nyene canke ntiyitabweho, kumucura bufuni na buhoro harimwo kumufata ku nguvu, yaba arezwe n'abavyeyi biwe, abamuserukira imbere y'amategeko canke uwo wese ajejwe uwo mwana.

Ingingo ya 6 y'amasezerano yunganira amasezerano mpuzamakungu arwanya ivyaha bikorwa hagati y'ibihugu ivuga ko ibihugu vyashize umukono kuri aya masezerano bitegerezwa gufata ingingo zose zishoboka kugira bihane ibikorwa vyose bikorwa mu ntumbero yo kubironkamwo inyungu biciye mu rudandazwa rw'abantu canke ibikorwa bifasha kugira urwo rudandazwa rushoboke.

Aha twovuga nko gutanga urupapuro rw'inzira cankei ndangamuntu itari yo ; gufasha umuntu kuba mu gihugu Atari rwiwe hakoreshejwe impapuro za magendu kandi bigakorwa mu ntumbero yo kwironderera inyungu.

Ingingo y'9 y'amasezerano mpuzamakungu yerekeyeg ukinga no guhana urudandazwa rw'abantu cane cane ibikorerwa abagore n'abana ivuga ko ibihugu vyashize umukono kuri aya masezerano bitegekanya imigambi n'izindi ngingo zose zishoboka kugira bakinge, barwanye urudandazwa rw'abantu kandi bakingire abakorewe ayo mabi cane cane abagore n'abana.

Ingingo ya 5 y'amasezerano ya Afrika yubahiriza agateka ka zina muntu n'ak'abenegihugu ivuga ko umuntu wese afise uburenganzira bwo kwubahirizwa mu gateka karanga zina muntu kandi Ubuntu bwiwe bukubahirizwa n'amategeko.

Uburyo bwose burtyoza agateka ka zina muntu, nk'ugufatwa buja, igurishwa ry'abantu, ugusinzikarizwa ubuzima n'ayandi mabi yose artyoza Ubuntu arabujijwe.

***2. Ingene amategeko y'igihugu atunganya ubwo burenganzira***

Amategeko y'Uburundi yubahiriza ubwo burenganzira ni :

* Ibwirizwa Shingiro, ibwirizwa n°1/11 ryo ku wa 24 munyonyo 2020 risubiramwo igitabu c'amategeko agenga akazi mu Burundi,

Ibikur. urup. 11

# Uburenganzira bwo kutagirwa umuja

(Bitangurira ku rup.10)

* Ibwirizwa n°1/28 ryo ku wa 29 gitugutu 2014 ryerekeye kurwanya no guhana ivyerekeye urudandazwa rw'abantu no gukingira abakorewe ayo mabi

* Hamwe n'ibwirizwa n° 1/13 ryo ku wa 22 nyakanga 2016 rikinga amabi afatiye ku gitsina, rihana abagirizwa ayo mabi rigakingira abayakorewe.

Ingingo ya 26 y'Ibwirizwa Shingiro ivuga ko ata muntu n'umwe azogirwa umuja canke umushumba. Ubuja n'u-gucuruza abantu mu buryo ubwo aribwo bwose birabujijwe.

Ingingo ya 34 y'ibwirizwa n°1/11 ryo ku wa 24 munyonyo 2020 risubiramwo igitabo c'amategeko agenga akazi mu Burundi ivuga ko amasezerano y'akazi ari umwumvikano wanditswe uba hagati y'umukozi n'umukoresha aho umukozi yiyemeza gukora akazi yumvikanye n'umukoresha, uyu nawe akamwemerera umushahara azomuha canke iyindi mpembo bumvikanye mu kiringo basezeranye.

Iyi ngingo irerekana neza ko umukozi akwiye kwemera akazi mu gihe abona ko kazogirai co kamufasha kandi ko atazocurwa bufini na buhoro.

Mu ntumbero yo gukingira umukozi, ingingo ya 39 ivuga ko amasezerano y'akazi ategerezwa kuba yanditswe mu rurimi umukoziatahura.

Ingingo ya 137 nayo ivuga ko umukozi ashobora guhagarika amasezerano y'akazi afitaniye n'umukoresha wiwe atarinze kubimenyesha mu gihe umukoresha atubahirije amasezerano y'akazi.

Aha twovuga nko kumukoresha akazi mu mwanya, mu buryo no mu kibanza batasezeranye; iyo atamuha impembo bumvikanye ku gihe categekanijwe; iyo atamuronsa iminsi y'akaruhuko nk'uko bitegekanijwe ; iyo atubabahiriza canke ngo atume hubahirizwa imigenzo myiza mu kazi, n'ibindi.

Ingingo ya 4 y'Ibwirizwa n°1/28 ryo ku wa 29 gitugutu 2014 ryerekeye kurwanya no guhana ivyerekeye urudandazwa rw'abantu hamwe no gukingira abakorewe ayo mabi ivuga ko urudandazwa rw'abantu ari ico cose kijanye no guhimiriza abantu, kubafasha kwiyunguruza, kubaha i ndaro, kubarungika canke kubakira biciye mu ku nyuruzwa, mu busuma, mu bubeshi, mu kwitwaza igihagararo, ubukene umuntu arimwo, mu gutanga canke guhabwa ibiguzi canke uturusho kugira umuvyeyi canke umukoresha atange uwo afiseko ububasha.

Urudandazwa rw'abantu mu buryo ubwo aribwo bwose ruhonyanga uburenganzira bwo kutagirwa umuja kandi ruteye ku biri n'iyubahirizw ary'agateka kazina muntu.



Nk'uko twabonye ko uburenganzira bwo kutagirwa umuja butegekanijwe n'amategeko mpuzamakungu hamwe n'amategeko y'igihugu, uwutubahirije ubwo burengazira arahanwa nk'uko amategeko atandukanye abitegekanya.

Ingingo ya 10 ivuga ko uwo wese yagiriwe n'ugukora urudandazwa rw'abantu nk'uko bitegekanijwe mu ngingo ya 4 duhejeje kuvuga ahanishwa umunyororo uva ku myaka itanu gushika ku myaka cumi n'ihadabu riva ku mafaranga ibihumbi ijana gushika ku bihumbi amajana atanu.

Ingingo ya 34 y'ibwirizwa n°1/13 ryo ku wa 22 nyakanga 2016 rikinga amabi afatiye ku gitsina, rihana abagirizwa ayo mabi rigakingira abayakorewe ivuga ko uwo wese yagiriwe no kugura, kugurisha, gutanga umuntu canke kumuhatira gukora rimwe canke kenshi imibonano mpuzabitsina ahanishwa umunyororo wo guherayo hamwe n'igihano mperekeza kimwe canke vyinshi nk'uko bitegekanijwe n'igitabu c'amategeko mpanavyaha.

Ingingo ya 258 y'igitabu c'amategeko mpanavyaha ivugako uwo wese yagiriwe n'icaha co kunyuruza, guhagarika, gupfunga canke gupfungisha abantu abo aribo bose kugira ngo abadandaze nk'abaja canke yatanze abantu yarajejwe ngo badandazwe ahanishwa umunyororo uva ku myaka cumi gushika ku myaka mirongo ibiri.

Mu gusozera, twagira twibukanye ko umuntu wese afise uburenganzira bwo kubahirizwa mu gateka kiwe. Ni co gituma ata muntu n'umwe yogirwa umuja. Urudandazwa rw'abantu hamwe n'ukugira abantu abaja mu buryo ubwo aribwo bwose bibujijwe n'amategeko kandi n'ibihano birategekanijwe kuwubirenzeko.

***Ikigo ca leta kijejwe guteza imbere agateka ka zina muntu no gukinga ihonyabwoko «CPDHPG »***

# Iyugururwa ry'umwaka w'ivyigwa mw'iseminari nkuru yo mu Kiryama i Bururi

Iseminari nkuru yo mu Kiryama diyoseze Bururi, ni imwe mu maseminari makuru agize Ekleziya y'i Burundi. Ku wa 30 Gitugutu 2022, nk'uko biri mu migenzo yayo, yari iramukanye urubanza rwo kugurura umwaka w'ivyigwa wa 2022 ushira 2023.

Ivyo birori bikaba vyatanguwe n'inkuka y'imisa yabereye mu gasengero k'iyo seminari irongowe na Musenyeri Bonaventura NAHIMANA Umwungere wa Diyoseze nkuru ya Gitega, akaba ariwe asanzwe arongoye igisata c'amaseminari n'amanovisiya ku rwega rw'inama y'Abepiskopi gatolika muri Ekleziya y'i Burundi.

Mu nsiguro y'Ijambo ry'Imana, Musenyeri Bonaventura NAHIMANA ati: "Imana niyo yahamagaye umw'umwe mu baseminari ngo muyikurikire, none iryo jwi ry'Umukama riguma ribahamagara muraryumva, nimba muryumva muryitaba gute? Ntimupfishe ubusa umwanya Umukama abaha muri iyi seminari, ntimupfishe ubusa uyu mwaka Umukama abahaye, nyabuna nimurondere iyo Mana uko bukeye uko bwije, gushika mwiyumvisemwo urukiza rwayo rukabahindura. Ivyo navyo bizotuma muhimbarwa n'uko Kristu yashinze imizi mumitima yanyu, kubera urukundo rwiwe rwabuzuye".

Ni muri ivyo birori nyene aho patiri NIBIZI Athanase yaca agaragaza ukwemera imbere y'umwungere n'igihugu c'imana cari ngaho, uwo nawe akaba ari umusaserdoti mushasha yari aje kunganira abasaserdoti bari bahasanzwe mu burezi bw'abo baseminari biga kuri iyo seminari.

Inyuma yaho baciye bakira abaseminari 30 bashasha bari baje gutangura ivyigwa vya the-ologie.

Uwo musi kandi, abasaserdoti bagera kuri 29 baramuwe mu mwaka uheze kuri iyo seminari nyene yo mu Kiryama, bari baje kwifatanya n'abatoya babo mw'iyugururwa ry'uwo waka w'ivyigwa.

Patiri Sylvestre BARAMPAMA umwe muri abo basaserdoti, aremeza ko impanuro babahaye bakiri aho mw'iseminari zababereye inkingi kirumara mu butumwa barimwo. Ati kubona baraciye ngaho bahungukiye ibintu vyinshi, muri ivyo harimwo indero y'akanovera.

Akemeza kandi ko uburuhe bw'umusaserdoti mu butumwa bwiwe bwa misi yose bucika akanyamuneza kuko aba yitangiye abandi.

Na patiri NIMUBONA Egide, yuhirira mugenziwe patiri BARAMPAMA Sylvestre mukwemeza ko akanyamuneza k'umusaserdoti kari mu buruhe Kuko iyo umusaserdoti yarushe abakristu niho baruhuka, iyo naho u-musaserdoti ashatse kuruhuka, haca haruha abakristu.

Yarangije atekerera impanuro batoya biwe, ababwira ko ubusaserdo-ti ari ingabire y'Imana, kuko ni ibanga ritagurwa naho woba ufise uburyo bumeze gute.

Patiri Giscar HAKIZIMANA aramutswa iyo seminari,


Foto: Chanel HARINGANJI

yarahimbawe cane n'abo basaserdoti bari mu murwi wa mbere w'abasaserdoti yaramuye biyumviriye kuza kumufata mu mugongo muri uwo musi mukuru. Abo basaserdoti bakaba batanguye iyo seminari mu gihe uwo muyobozi nawe yagenwa ngo arongore iryo shure.

Nk'uko baza barabimwiganira, ahimbarwa kandi n'ingene bitwara iyo bari mu butumwa. Ivyo bikamwereka ko bafashe nka nkama impanuro yabahaye afadikanije n,abo basangiye ubutumwa.
Yaciye afatira aho nyene mukutubwira inyifato ibereye umwungere mwiza. Ati : " Umwungere mwiza yihatira gukunda igihugu c'Imana akacitangira atakintu na kimwe yisigarije kandi adacaguye. Umusaserdoti kandi yitangira igihugu c'Imana. Kandi ubutumwa bw'umusaserdoti ni uburuhe kanatsinda atarushe ntiyoba yakoze ivyo yategerezwa.

Ivyo bisigura ko kuruha kugira imitima ironke ubuzima, bitera agahimbare. Kuruhuka imitima nayo irushe bisigurako wa musaserdoti ataba yaranguye ico yabwirizwa". Uburuhe rero bucika imfunguro y'umusaserdoti, ariko bigahimbara iyo yarushe aruhiye ikiri ukuri.

Kubera hari haheze imisi batabonana, patiri Giscard HAKIZIMANA arongoye iyo seminari imbere y'uko urwo rubanza ruba, yabanje kugiriranira ikiganiro n'abo basaserdoti 29 baheruka kuramurwa, bayaga ingene ubutumwa bugenda iyo bagiye, yo-ngera asubira kubatekerera impanuro z'ingene bokwitwara mu buzima bw'umusaserdoti, kanatsinda uwugatanze gushika mw'ibanga agutanga kumenya n'ibiribangamira.

Turangize tubamenyesha ko kuva iyo seminari yuguruye umwaka wa mbere w'ivyigwa hari mu 2012, hamaze kuramurirwa abasaserdoti bangana 195, aho ni mugihe ubu higa abaseminari bagera kuri 117.


Foto: Chanel HARINGANJI

**Chanel HARINGANJI**